137 *Nuduhe ubutinyutsi*

(Ivyakozwe 4:29)

1. Igihe tuvug'Ubwami,
   Har'abatubabaza
   Bakaturwanya bashaka
   Ko botumaramaza.
   Aho gutiny'abantu,
   Mana, ni wewe twumvira.
   Duh'impwemu yawe, Yehova.
   Ni wewe dutakambira.

(*ICITABIRIZO*)

Mana, duh'ubutinyutsi
Twame twakwamamaje.
Duh'umutima rugabo
Bumv'ingen'utangaje.
Harumagedon'iraje
Gukurah'iyi s'ishaje.
Mana, duh'ubutinyutsi.
Dutabare!

2. Kuber'intege nke zacu,
   Twotekerwa n'ubwoba.
   Wew'uraduhumuriza
   Yukw'ata co tuzoba.
   Rab'abo baturwanya,
   Kukw'ari we dutabaza,
   Tukuvugire tudatinya,
   Twame tukuninahaza.

(*Icitabirizo*)

(Raba kandi 1 Tes. 2:2; Heb. 10:35.)

© 2014 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania